Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Yakobo Umubeshi

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
M. Maillot; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Kerr; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Hari aho Imana yoba yarabahaye umwana m'umuryango wanyu? Birahimbara cane. Isaka na Rebeka bobo bagize umunezero wigwije kabiri. Imana yari igiye kubaha
kuvyara abana b'amahasa.

Abo bana batanguye kurwana bakiri munda ya Rebeka. Amaze gusenga, Imana yamubariye ko abo bahungu biwe babiri bazovamwo amahanga abiri kandi ko butoyi ariwe azokomera cane. Mubisanzwe, bukuru niwe yategerezwa gukomera. Munyuma babana bahava baravuka.

Abo bana b'amahasa ntibasa. Esahu, bukuru yari afise ubwoya bwishi cane kandi yabaye umuhigi adasanzwe. Yakobo yari afise urukoba rworoshe kandi rwiza maze yakora ibikorwa vyo mumirima hafi y'i muhira. Se wabo Isaka yakunda Esahu.
Ariko nyina wabo nawe
yakunda Yakobo.

Umisi umwe, Esahu yari ashonje cane. "Impa utwo kudya" abwira Yakobo. "Banza wemere ndakugurire kuba samuragwa" Yakobo aramwishura. Esahu asuzugura isezerano ryo kuba samuragwa Imana yari yatanze kubana bose b'imfura. Yumvikana na Yakobo kumugurira kuba samuragwa. Kuva ubwo Yakobo aba aronse kuzoba mukuru mu muryango igihe se wabo azoba atakiriho.

Ijoro rimwe, Imana ibarira Isaka. “Ndi Imana ya so Aburahamu. Ndikumwe nawe. Nzohezagira abazogukomokako.” Naho Isaka yatazira Imana, umuhungu wiwe Esahu yari yarongoye abagore babiri b’abahetikazi, ubwoko butitaho Imana.

Isaka amaze gusaza. “Nzanira inyama wahize” asaba Esahu. “Hanyuma nzoca ndaguha umugisha wanje”. Uwu mugisha udasanzwe umuhungu mukuru yawuhabwa na se wiwe. Ubwo nyene Esahu aca aja guhiga. Ariko Rebeka yari yavyumvise vyose. Yashaka ko Yakobo ariwe aronka uwo mugisha.

Rebeka yari yarateguye uko azobigenza. Akiriko arategura imfungurwa nk'uko Isaka yakunda, yambika yakobo impuzu za Esahu, amwabambika kubiganza no kw'izosi urusato rw'igikoko. Isaka ntiyari akibona neza. Yari yizeye kumubesha.

Yakobo azanira Isaka za mfungurwa. “Ijwi ryawe ni irya Yakobo, ariko ibikonjo ni ivya Esahu”. Ahejeje gufungura, Isaka ahezagira uwo muhungu wiwe yari afukamye imbere yiwe.

Yakobo agiheza kugenda, Esahu arashika ngo arabe se Isaka. "Ng'ibi vyabifungurwa wantuma"

Esahu abarira se. Isaka yarazi ko bamubeshe. "Sinshobora kugarukana umugisha namuhaye" ararira. Umutima wa Esahu wuzura urwanko. Afata ingingo yo kwica Yakobo.


Rebeka yumva imigambi mibi ya Esahu. "Ja kwa nyokorome" abwira Yakobo, "Gushika aho mukuru wawe azokwibagirira ivyo wamukoreye." Isaka yemera ko Yakobo yorondererwa umugore m'umuryango wa nyina wiwe. Hanyuma Yakobo ava munzu ya se.

Iryo joro nyene,
Yakobo aryamye
yisegura ibuye. Kuko yari
yumva ari wenyene,
birashoboka ko yoba yari
yumva ubwoba. Ariko
ntiyari weneye.
Imana iramubwira
biciye
mundoto
nziza cane.




"NDI IMANA YA BA SOGOKURUZA, ABURAHAMU NA ISAKA. NDIKUMWE NA WE. NZOGUHA IKI GIHUGU. M'URUVYARO RWAWE, IMIRYANGO YOSE YO MW'ISI IZOHABWA UMUGISHA." Imana ihejeje kuvugana nawe, Yakobo arikangura. Yari afise ubwoba.

Inarume wa Yakobo, Labani aramwakira. Yakobo yakunda muvyarawe Rakeli maze akorera Labani imyaka indwi kugira ngo azomushingire Rakeli.
Ariko buca amurongora, Labani ahemukira Yakobo.

“Sindaguha Rakeli, ndaguha Leya” Yakobo arababara cane. “Warampenze”. “Imfura y’umukobwa niyo itangura kurongorwa ubwa mbere, Labani aramwishura.” None rero, nkorera iyindi myaka indwi nyene hama ucurongora na Rakeli. Yakobo aca aravyemera.

Yakobo avyara
abahungu cumi n'umwe.
Haheze imyaka itari
mike, yumva ashaka
gusubiza umuryango
wiwe i kanani. Abavyeyi
biwe niyo bari.

Ariko Esahu yashaka kumwica yari yibereye ngaho atankomanzi. Umusi ur'izina, Imana imubwira gusubira iwe. Yakobo yegeranya umuryango wiwe n'umukuku wiwe maze bafata inzira.

Mbega urugendo!
Esahu aza gusanganira
yakobo arikumwe
n'abantu biwe amajana
ane! Ariko ntiyagira
ikibi agirira Yakobo.

Aza yiruka kuri we maze bararamukanya. Yakobo na Esahu basubira kuba abagenzi bushasha kandi Yakobo yagarutse iwe atunganye ataco yiyagiriza.

Yakobo Umubeshi

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 25-33

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16